# من خلقني؟ ولماذا؟

# NI NDE YANDEMYE? NI NO KUKI YANDEMYE?

# NI NDE YANDEMYE? NI NO KUKI YANDEMYE?

## IKINTU COSE KIREREKANA KO HARIHO UWAKIREMYE

Ni nde Yaremye amajuru n'isi hamwe n'ibiri hagati yavyo mu biremwa bihambaye ata n'uwoshobora kubihetura?

Ni nde Yashizeho iyi ndinganizo itigera yihenda na rimwe mu kuntu itunganijwe mw'ijuru no mw'isi?

Ni nde Yaremye umuntu, Akamuha amatwi, amaso n'ubwenge, Akamuha n'ububasha bwo kurondera ubumenyi no gutahura ukuri kw'ibishikira ibiremwa?

Ni gute wosigura iyi ndinganizo itigera yihenda mu kungene ibihimba vyawe vy'umubiri hamwe n'ibindi binyabuzima bikora? Ni nde Yabitunganije mu kubiha indemo ibereye?

Ni gute iyi si ihambaye n'ibiri kuri yo bitunganije, bitururuye, uravye amategeko abigenga akabitunganya mu buryo butigera bwihenda imyaka  yose kuva biremwa?

Ni nde Yashizeho amategeko yisungwa mw'iringanizwa ry'iyi si (Ubuzima no gupfa, ukurondoka kw'ibinyabuzima, ijoro n'umurango, ikurakuranwa ry'ibihe bigize umwaka, ivy'ici n'agatasi n'ibindi)?

Mbega none iyi si n'ibiri muri yo, vyoba vyariremye? Canke vyaje ukwo gusa ata kibiremye? Canke vyoba vyabonetse giturumbuka?

Ni kuki umuntu yemera ko hariho ibintu adashobora kubona? Akarorero: (ugutahura, kugira ubwenge, inkomoko y'ubuzima "Roho", ibigumbagumba n'urukundo), ubwo ntavyemera ukwo kuko abona ibimenyetso vyavyo? None umuntu bimugendera gute kuba yohakana ko Iyaremye iyi si ihambaye Ibaho kandi abona neza na neza ibimenyetso vy'ivyo Yaremye, akanabona n'ivyerekana itunganywa n'impuhwe zayo ku biremwa!?

Nta n'umwe yokwemera uwovuga ko iyi nzu yabonetse gutyo gusa ata n'umwe yayubatse! Canke uwomubwira ko iyi nzu yaremwe n'ubusa! None ni gute bamwe mu bantu bemera uwuvuga ko iyi si ingana amahanga n'ibirimwo yabonetse gutyo gusa ata Wayiremye? Ni gute umuntu w'umunyabwenge yokwemera uwuvuga ko iyi ndinganizo n'itunganywa ritigera rihungabana mu vyerekeye isi n'ibirimwo, vyabonetse gutyo gusa giturumbuka?

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

(أَمۡ خُلِقُواْ مِنۡ غَيۡرِ شَيۡءٍ أَمۡ هُمُ ٱلۡخَٰلِقُونَ، أَمۡ خَلَقُواْ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَۚ بَل لَّا يُوقِنُونَ).

﴿Mbega ababangikanyamana, boba baremwe n’ubusa ata cabaremye! Canke boba bariremye! Usangwa bataremwe n’ubusa canke ngo bireme, nibamenye rero ko Imana Allah ari Yo Yabaremye, n’uko ari Yo rero, Ikwiye gusengwa Itabangikanywa. Canke boba bararemye amajuru n’isi muri ubu buryo buhimbaye! Ahubwo rero, ntibemera namba ko bazohanwa﴾ (Al-Twuur: 35-36).

## Imana Allah Nyenukuninahazwa na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere

Hariho rero Imana Imwe Rudende Rurema, Ifise amazina n'amatazirano menshi kandi ahambaye yerekana ko Irangwa n'ubutore, mu mazina yayo twovuga: "Al-Khaaliq" (Rurema), "Ar-Rahiim" (Nyenimpuhwe ku biremwa), "Ar-Raaziq" (Rutūngabirémwa, Ibeshejeho ibiremwa vyose), "Al-Kariim" (Nyenubugiraneza). "ALLAAH", ni ryo zina rizwi cane mu mazina y'Imana Rurema Nyenukuninahazwa na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere; rikaba risigura Imana Ikwiye gutumberwa mu bikorwa-nyegerezamana vyose ata kuyibangikanya na kimwe mu biremwa.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Yavuze muri Qor'ani ntagatifu Iti:

﴿قُلْ هُوَ ٱللَّهُ أَحَدٌ * ٱللَّهُ ٱلصَّمَدُ *لَمْ يَلِدْ وَلَمْ يُولَدْ *وَلَمْ يَكُن لَّهُۥ كُفُوًا أَحَدٌۢ﴾

﴾Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Imana Allah, ni Imwe Rudende mu bumana bwayo, mu bushobozi bwo kurema no mu mazina n'amatazirano yayo.

Imana Allah, ni Yo Nyenugutumberwa muri vyose.

Ntiyavyaye kandi ntiyavyawe, eka ntigira n'umugore.

Kandi ntigira ikiremwa na kimwe bisa canke bisusa, haba mu mazina n'amatazirano yayo, haba no mu bushobozi bwayo"﴿ (Al-Ikhlaasw: 1-4).

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Yavuze Iti:

﴿اللَّهُ لا إِلَهَ إِلَّا هُوَ الْحَيُّ الْقَيُّومُ لا تَأْخُذُهُ سِنَةٌ وَلا نَوْمٌ لَهُ مَا فِي السَّمَوَاتِ وَمَا فِي الأَرْضِ مَنْ ذَا الَّذِي يَشْفَعُ عِنْدَهُ إِلَّا بِإِذْنِهِ يَعْلَمُ مَا بَيْنَ أَيْدِيهِمْ وَمَا خَلْفَهُمْ وَلا يُحِيطُونَ بِشَيْءٍ مِنْ عِلْمِهِ إِلَّا بِمَا شَاءَ وَسِعَ كُرْسِيُّهُ السَّمَوَاتِ وَالأَرْضَ وَلا يَئُودُهُ حِفْظُهُمَا وَهُوَ الْعَلِيُّ الْعَظِيمُ﴾

﴾Allah ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenubugingo budashira nk'uko buyikwiye, Umuhagarikizi w'ibiremwa Yikwije muri vyose. Ntihunikira (Ntihunyiza) eka Ntinasinzira. Ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Nta n'umwe yokwubahuka kuvugira uwundi imbere yayo, kiretse ku burenganzira buvuye kuri Yo. Ni Yo Izi bikwiye inkuru z'ibiremwa vyose, kahise, kubu na kazoza kavyo. Nta n'umwe ashoboye kumenya na kimwe mu bumenyi bwayo kiretse ivyo Yo Yonyene Ishatse ko amenya. Ubuvyagiro bw'Ibirenge vyayo bukwiriye amajuru n'isi, kandi

ntibiyiruhije kubungabunga amajuru n’isi. Ni na Yo rero Nyenicubahirogisumbavyose, Nyenicubahiro-ntangere﴾ (Al-Baqara: 255).

## Amatazirano y'Imana Rurema Nyenukuninahazwa na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere

Imana Rurema, ni Yo Yaremye isi, Iraheza Yorohereza ibiremwa kuyibako no kuyigendagendako, Iyigira uburaro n'uburamuko ku biremwa vyayo, Ni yo Yaremye amajuru n'ibindi biremwa bihambaye biri muri yo, Igirira izuba n'ukwezi hamwe rero n'ijoro n'umurango, indinganizo itigera yihenda mu kungene bikora, ivyo vyose vyerekana ubuhambazi bw'Imana Allah.

Imana Rurema, ni Yo Yaturemeye akayaga n'impwemu ubuzima bwacu bukeneye kugira dushobore kubaho, ni Yo Ituma turonka imvura, Yaranaturemeye amabahari n'inzuzi, ni Yo Yama Yadufunguriye igihe twari tukiri inzoya mu mbanyi z'abavyeyi bacu mu buryo tudafisemwo inguvu canke uruhara, ni Yo Ituma amaraso atemba mu mitsi yacu, Yaranatugiriye imitima itera mu buryo bwamaho kuva umusi w'ivuka ryacu gushika ku musi tuzopfirako.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿وَاللَّهُ أَخْرَجَكُمْ مِنْ بُطُونِ أُمَّهَاتِكُمْ لَا تَعْلَمُونَ شَيْئًا وَجَعَلَ لَكُمُ السَّمْعَ وَالْأَبْصَارَ وَالْأَفْئِدَةَ لَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ﴾

﴿Imana Allah, Yabakuye mu nda za ba nyoko hageze kuvuka, ata na kimwe muzi; Yabahaye n'ibihimba bituma mumenya mugatahura, Ibaha amatwi, amaso n'umushaha, kugira muyishimire mu kuyisenga ari Imwe Rudende﴾ (An-Nahl: 78).

## Imana Rurema Isengwa, Itegerezwa kuba Ifise amatazirano aranga ubutore n'ubutwari bwayo

Imana Yaturemye, Yaraduhaye ubwenge kugira dutahure ubuhambazi bwayo, Ituremana ububasha ndemanwa "fitwra" butwereka ko Irangwa n'ubutore n'ubutwari, n'uko kizira kikaziririzwa ko Irangwa n'agahaze.

Ibikorwa nyegerezamana rero, bitegerezwa gutumberezwa ku Mana Allah Yonyene Nyenuguhabwicubahiro nta ngere; kuko ari Yo Ntore Itunganye Ikwiye kwiyegerezwa mu bikorwa nyegerezamana, ikintu ico ari co cose rero kitari Yo gisengwa, kiba ari ikinyoma ceruye, kirangwa n'agahaze, kirindiriwe n'urupfu hamwe n'uguhona.

Imana Isengwa, ntishobora kuba ari umuntu canke ikigirwamana canke igiti canke ikinyabuzima ico ari co cose!

Ntibibereye ku muntu w'umunyabwenge, ko yosenga ikintu na kimwe kirangwa n'agahaze kiretse ko ahamagariwe gusenga Uwurangwa n'ubutore n'ubutwari, none burya umuntu

bimugendera gute ngo asenge ikiremwa nka we giciriritse cane!

Imana Rurema, ntishobora kuba ari uruyoya rukiri mu nda y'umukenyezi, ruheza rukavuka nka kurya abandi bana bose bavuka!

Imana Rurema, ni Irya Yaremye ibiremwa, ibiremwa na vyo bikaba biri mu minwe yayo, Ikaba ari na Yo Ibiganza; ntibangamirwa n'ibiremwa, eka nta n'umwe ashoboye kuyaka ububasha, kuyihana canke kuyisuzuguza!

Imana Rurema ntipfa namba!

Imana Rurema, ni Irya Mana Itibagira, Itaryama, Idakenera imfungurwa ngo Irye, Irangwa n'ubuhambazi ku buryo Itagira umukenyezi canke umwana; Imana Yaremye, Irafise amatazirano aranga ubuhambazi bwayo, ntibinabaho ko Irangwa n'ukuburanirwa canke agahaze. Ivyanditswe vyose rero, birimwo ibihushanye n'ubuhambazi bw'Imana Yaremye, mu vyitirirwa inyigisho z'Abavugishwamana, biba ari ivyahindaguwe n'ibiremwa, kira noneho ntibiba biri no mu vyahishuwe vy'ukuri vyazanywe na Musa, Isa n'abandi batari abo mu Bavugishwamana (ba nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

يَا أَيُّهَا النَّاسُ ضُرِبَ مَثَلٌ فَاسْتَمِعُوا لَهُ إِنَّ الَّذِينَ تَدْعُونَ مِنْ دُونِ اللَّهِ لَنْ يَخْلُقُوا ذُبَابًا وَلَوِ اجْتَمَعُوا لَهُ وَإِنْ يَسْلُبْهُمُ الذُّبَابُ شَيْئًا لَا يَسْتَنْقِذُوهُ مِنْهُ ضَعُفَ الطَّالِبُ وَالْمَطْلُوبُ (73) مَا قَدَرُوا اللَّهَ حَقَّ قَدْرِهِ إِنَّ اللَّهَ لَقَوِيٌّ عَزِيزٌ (74)

﴿Emwe bantu! Mwaraciriwe agace, nimutege amatwi rero mukumvirize mwongere mukazirikane. Mu vy’ukuri, ibigirwamana musenga mu gishingo c’Imana Allah, ntibizopfa bishoboye kurema n’isazi imwe gusa n’aho vyogira urunani, nkeswe rero kurema igisumba isazi! No mu gihe isazi yogira ico yihagiye mu kununuza kimwe mu vyatanzweko ikimazi ku bigirwamana, nya bigirwamana ntivyoshobora kuyaka ico yihagiye. Ibigirwamana rero, nta na kimwe bishoboye kuko ata bubasha bwo kurema bifise, eka ntibinafise n’ububasha bwo guhabuza ivyo isazi yihagiye, bitayeko n’isazi ubwayo nyene nta co ishoboye.

Ababangikanyamana ntibahaye namba Imana Allah icubahiro kiyikwiye mu kuyibangikanya n’ibiremwa, mu vy’ukuri Imana Allah ni Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa﴾ (Al-Hajji: 73, 74).

## Ubwo biratahuritse ko Imana Allah Yotureka ukwo gusa ata hishurwa ry'amabwirizwa twokwisunga kuri iyi si?

Mbega vyoba bitahuritse kuba Imana Allah Yaremye ibi biremwa vyose ata hangiro ibifiseko? Yoba Yabiremye mu bufyinyi kandi ari Yo Ntunganemuvyikoravyose, Nyenubumenyikurivyose?

Burya vyoba bitahuritse kuba Imana Allah Yaturemye muri iyi ndinganizo itunganye,

Ikanaturemera amajuru n'isi, Yoturema ata hangiro Idufiseko, canke ko Yotureka gutyo gusa ata nyishu Iduhaye ku bibazo bihambaye biduhanze! Akarorero: Ni kuki twebwe turi ng'aha kw'isi? Mbega inyuma yo gupfa, hazokurikira iki? Ni irihe hangiro ry'iremwa ryacu?

Ahubwo rero, Imana Allah Yarungitse Intumwa kugira tumenye ihangiro ryo kubaho kwacu, tumenye n'ico Imana Allah Idushakako!

Imana Allah rero, Yarungitse Intumwa kugira zitumenyeshe ko ari Yo Yonyene Ikwiye kwiyegerezwa mu vyo dukora vyose, zitwigishe n'ukungene tuyiyegereza mu vyo dukora vyose, ziheze kandi zidushikirize amabwirizwa y'ibitegetswe n'ay'ibibujijwe gukorwa, zongere zitwigishe imico n'imigenzo myiza. Mu gihe tworangwa n'iyo mico, ubuzima bwacu bwoba bwiza bukuzura ivyiza, imigisha n'imihezagiro nta ngere.

Imana Allah rero, Yararungitse Intumwa nyinshi; nka Nuhu, Ibrahimu, Musa na Isa. Imana Allah Yaranahaye izo Ntumwa Aayah n'ibitangaro vyemeza ukuri kwazo, n'uko zarungitswe koko n'Imana Rurema Allah.

Intumwa yanyuma yahetuye izindi, ni Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Yaranamumanuriye Qor'ani ntagatifu.

Intumwa rero zaratwiganiye mu buryo butomoye ko ubu buzima bwo kw'isi ari ubuzima

bw'igeragezwa, n'uko ubuzima nya buzima ari ubw'inyuma yo gupfa;

n'uko hariho Ubwami bw'ijuru bwagenewe abemeramana biyegereje Imana Allah mu vyo bakora vyose, bakanayisenga ari Imwe rudende batayibangikanya na kimwe; bakemera n'Intumwa zose; n'uko hariho umuriro Imana Allah Yategekanirije abagararizamana basenze ibigirwamana hambavu y'Imana Allah, canke bagararije Intumwa n'aho yoba imwe gusa mu zindi Ntumwa zarungitswe n'Imana Allah.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

يَابَنِي آدَمَ إِمَّا يَأْتِيَنَّكُمْ رُسُلٌ مِنْكُمْ يَقُصُّونَ عَلَيْكُمْ آيَاتِي فَمَنِ اتَّقَى وَأَصْلَحَ فَلَا خَوْفٌ عَلَيْهِمْ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ (35) وَالَّذِينَ كَذَّبُوا بِآيَاتِنَا وَاسْتَكْبَرُوا عَنْهَا أُولَئِكَ أَصْحَابُ النَّارِ هُمْ فِيهَا خَالِدُونَ (36)

﴿Emwe Bene Adamu! Nimwashikirwa n’Intumwa zanje zirungitswe muri mwebwe, zibasomera Aayah z’Igitabu canje, zikanabatomorerera ivyemezo vyerekana ukuri kw’ivyo zibashikiriza, muraheza muzumvire. Abazokwirinda ishavu ryanje bagatunganya ibikorwa vyabo, ntibazogira ubwoba bwo guhanwa ku musi w’izuka, eka mbere bobo ntibazokwicwa n’intuntu y’ivyo basize kw’isi.

Abahakanye bivuye inyuma ivyemezo vyacu vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, bakanagira amanyama mu kuvyirengagiza, abo ni

bo bantu rero bo mu muriro, bazowubamwo ibihe bidahera﴾

(Al-A'raaf: 35,36).

Imana Allah Nyenukuninahazwa Yavuze Iti:

﴿ أَفَحَسِبْتُمْ أَنَّمَا خَلَقْنَاكُمْ عَبَثًا وَأَنَّكُمْ إِلَيْنَا لَا تُرْجَعُونَ ﴾

﴿Mbega bantu! Mwiyumvira ko Twebwe Allah Twabaremye mu gufyina ata ntumbero Tubafiseko; n'uko mutazosubizwa iwacu mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kugira Tubahembere ivyo mwakoze!﴾ (Al-Mu-minuuna: 115).

## Qor'ani ntagatifu

Qor'ani ntagatifu, ni amajambo y'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Yamanuriye Umuhetuzi w'Intumwa zose Muhamadi, ni co gitangaro gihambaye cerekana ukuri kw'ubuvugishwamana bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ni Igitabu c'ukuri mu ngingo no mu mabwirizwa vyaco, ni ic'ukuri no mu nkuru n'amateka gishikiriza, Imana Allah Yarahize n'abahakanyi ko bozana ibisusa nka Qor'ani n'aho coba igisomwa kimwe gusa, maze barananirwa kuko Qor'ani yo irangwa n'ubwiza mu kuntu yanditse, mu kungene amajambo yayo atondetse mu mungane y'akaroruhore, Qor'ani kandi ihurikiyemwo vyinshi mu vyemezo bishingiye ku bwenge n'ibishingiye ku bumenyi, vyose bikaba vyerekana ko iki Gitabu ca Qor'ani, bidashoboka ko coba canditswe n'iminwe y'abantu,

ahubwo ko ari amajambo y'Imana Rurema Nyenukuninahazwa Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Yaremye abantu.

## Ni kuki harungitswe Intumwa nyinshi zitandukanye?

Ni ukuri, Imana Allah Yararungitse Intumwa kuva na kera narindi; kugira zirarikire abantu kwemera Imana yabo Rurema Allah, ziheze zibashikirize amabwirizwa yayo y'ibitegetswe n'ay'ibibujijwe gukorwa, ku buryo ubutumwa bwazo zose bwari bushingiye ku kurarikira abantu ko bakwiye kwiyegereza Imana Allah mu vyo bakora bakanayisenga ari Imwe Rudende Nyenintsinzi na Nyenicubahiro, igihe cose rero abantu batanguye kureka canke gutosekaza inyigisho bazaniwe n'Intumwa yabo, mu bijanye n'isengwa ry'Imana Imwe Rudende, Imana Allah Yaca Irungika iyindi Ntumwa kugira ikosore amerekero, maze isubize abantu ku kwemera ndemanwa gushingiye kw'isengwa ry'Imana Imwe Rudende no kw'iyumviramana, gushika rero aho Imana Allah Iheturiye izo Ntumwa mu kurungika iyanyuma muri zo, na yo ikaba ari Muhamadi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yaje izanye amabwirizwa yamaho ahuriyeko n'abantu bose gushika ku musi w'umuhero w'isi, ni amabwirizwa atunganye muri vyose, yasubiriye amabwirizwa yo hambere yayo, Imana Rurema Allah Ikaba

Yarishinze kubungabunga ayo mabwirizwa n'ubu butumwa ku buryo bizokwamaho gushika ku musi w'umuhero w'isi.

Ni kuri izo mvo rero, twebwe abislamu nk'uko Imana Allah Yabidutegetse, twemera Intumwa zose, tukemera n'Ibitabu vyose vy'aho hambere ya Qor'ani.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿ءَامَنَ ٱلرَّسُولُ بِمَآ أُنزِلَ إِلَيۡهِ مِن رَّبِّهِۦ وَٱلۡمُؤۡمِنُونَۚ كُلٌّ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَمَلَٰٓئِكَتِهِۦ وَكُتُبِهِۦ وَرُسُلِهِۦ لَا نُفَرِّقُ بَيۡنَ أَحَدٖ مِّن رُّسُلِهِۦۚ وَقَالُواْ سَمِعۡنَا وَأَطَعۡنَاۖ غُفۡرَانَكَ رَبَّنَا وَإِلَيۡكَ ٱلۡمَصِيرُ﴾ [2: 285].

﴾Intumwa y’Imana (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) yaremeye iranizigira ivyo yahishuriwe n’Imana yayo Rurema Allah muri Qor’ani, eka n’abemeramana baravyemeye baranabishira mu ngiro; umwe wese muri bo yaremeye Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n’Intumwa zayo zose, baraheza bavuga bati: “Ntituvangura n’imwe mu kwemera Intumwa zayo”. Barongeye baravuga hamwe n’Intumwa bati: “Twumvise kandi twumviye Imana Allah, turasavye rero imbabazi n’ikigongwe cawe, Mana yacu Rurema! Ni no kuri Wewe rero tuzosubira kugira Uduhembere ivyo twakoze”﴿

(Al-Baqara: 285).

## Umuntu ntashobora kuba umwemeramana igihe ataremera Intumwa zose

Uwarungitse Intumwa, ni Imana Allah, uwugararije ubutumwa bw'imwe muri zo, ni ukuri aba agararije zose, nta n'icaha rero gihambaye cane coza gisumba umuntu gusubiza ku Mana Allah ivyo Yahishuriye Intumwa, ni ngombwa rero kugira umuntu yinjire mu Bwami bw'ijuru, ko yemera Intumwa zose ata n'imwe ivuyemwo.

Igitegetswe ku muntu uwo ari we wese muri kino gihe rero, ni uko yemera Intumwa z'Imana zose, ivyo bikaba bidashoboka kiretse mu gihe yemeye akanakurikira uwazihetuye zose, Muhamadi (nyakugira mahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Imana Allah Yaravuze muri Qor'ani ntagatifu ko uwanse kwemera Intumwa imwe mu Ntumwa z'Imana, aba agararije Imana Allah, ahakanye n'ivyo Yahishuriye Intumwa,

Enda niwisomere na we izi Aayah zikurikira:

"إِنَّ الَّذِينَ يَكْفُرُونَ بِاللَّهِ ورُسُلِهِ ويُرِيدُونَ أَنْ يُفَرِّقُوا بَيْنَ اللَّهِ ورُسُلِهِ ويَقُولُونَ نُؤْمِنُ بِبَعْضٍ ونَكْفُرُ بِبَعْضٍ ويُرِيدُونَ أَنْ يَتَّخِذُوا بَيْنَ ذَلِكَ سَبِيلًا أُولَئِكَ هُمُ الكافِرُونَ حَقًّا وأَعْتَدْنا لِلْكَفِرَيْنِ عَذابًا مُهِينًا﴾".

﴿Mu vy'ukuri, abagarariza bagahakana bivuye inyuma Imana Allah n'Intumwa zayo, mu bayahudi no mu banaswara , bagashaka kuvangura hagati y'Imana Allah n'Intumwa zayo mu kwemera Imana Allah gusa, bagahakana Intumwa zose canke zimwe

muri zo, bagaheza bakinamura bati: "Twemera zimwe muri zo tugahakana izindi", bagashaka kugira iryo vangura mu kwemera inzira n'idini ry'ubuhuvyi badukanye;

Abo rero, ni bo bagarariji vy'ukuri. Twaranategekanirije abagarariji ibihano bisuzuguza﴿ (An-Nisaa-i: 150,151).

## Ubwislamu ni igiki?

Ubwislamu, ni ukwicisha bugufi ku Mana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere mu kuyemera ari Imwe Rudende, no mu kuyikurikira mw'iyumviramana, hamwe rero n'ukwubaha ukubahiriza amabwirizwa yayo mu gushimishwa n'ukwakira ibigushikiye uko biri kwose.

Imana Allah rero Yarungikanye Intumwa zose ubutumwa bumwe, na bwo bukaba ari: ukurarikira abantu kwiyegereza Imana Allah mu vyo bakora vyose banayisenga ari Imwe Rudende ata kuyibangikanya na kimwe mu biremwa.

Ubwislamu, ni ryo dini ry'Abavugishwamana bose, kanatsinda irarikiramana ryabo ryari rimwe n'aho amabwirizwa yabo vyashika agatandukana (ufatiye ku vyo umugwi w'umwumwe wese wari ukeneye), abislamu kuri uno musi rero, ni bo bonyene bagitsimbataye kw'idini ry'ukuri ry'Abavugishwamana bose, ubutumwa bw'ikislamu kuri uno musi, ni bwo bw'ukuri, kuko Imana Rurema Yatumye Intumwa Ibrahimu na

Musa na Isa, ni Yo nyene Yatumye uwasozereye Intumwa, Muhamadi, ni na co gituma amabwirizwa y'ubwislamu yasubiriye amabwirizwa yose yo hambere yayo.

Mu vy'ukuri, itunganywa ry'amasengesho y'abantu basenga mw'idini iri na ririya kuri uno musi (muri kino gihe) havuyemwo ubwislamu gusa, ni itunganywa ry'abantu bishiriyeho, canke ni itunganywa ryigeze kuba rishingiye kw'idini ry'Imana, mu nyuma rero iminwe y'abantu irahindagura bimwe muri ryo, riraheza ricika uruvangatirane rw'amangetengete n'ibintazi abantu bagiye biyongereramwo, baraheza barabihanahana uruvyaro ku rundi. Nayo ibijanye n'ukwemera kw'abislamu, usanga ari ukwemera mu buryo bumwe kandi butomoye butigera buhinduka, ehe raba n'Igitabu cabo ca Qor'ani, usanga ari kimwe kandi gikoreshwa n'abislamu bo mu bihugu vyose.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere , Yavuze muri Qor'ani Iti:

قُلْ آمَنَّا بِاللَّهِ وَمَا أُنْزِلَ عَلَيْنَا وَمَا أُنْزِلَ عَلَى إِبْرَاهِيمَ وَإِسْمَاعِيلَ وَإِسْحَاقَ وَيَعْقُوبَ وَالْأَسْبَاطِ وَمَا أُوتِيَ مُوسَى وَعِيسَى وَالنَّبِيُّونَ مِنْ رَبِّهِمْ لَا نُفَرِّقُ بَيْنَ أَحَدٍ مِنْهُمْ وَنَحْنُ لَهُ مُسْلِمُونَ (84) وَمَنْ يَبْتَغِ غَيْرَ الْإِسْلَامِ دِينًا فَلَنْ يُقْبَلَ مِنْهُ وَهُوَ فِي الْآخِرَةِ مِنَ الْخَاسِرِينَ (85).

﴿Ntumwa y’Imana! Bwira abagarariji uti: “Twaremeye Imana Allah, nta n’iyindi mana twemera atari Yo, twaranemeye ivyo Yaduhishuriye n’ivyo Yahishuriye Ibrahimu,

abahungu biwe Ismayili na Is-haqa, umwuzukuru wiwe Yakubu mwene Is-haka, Intumwa zikomoka kuri Yakubu zarungitswe mu moko cumi n'abiri ya Bene Israyeli, ivyahawe Intumwa Musa na Isa muri Tawurati no mu Njili, hamwe rero n'ivyamanuriwe abandi Bavugishwamana, abo bose turabemera tutavanguye n'umwe muri bo, kandi rero twebwe turi abislamu twicisha bugufi ku Mana Allah}".

{Uwurondera kwubahiriza idini ritari iry'ubwislamu ntazoryakiririrwa namba, kandi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa azoba mu bahomvye ubuzima bwabo bwose}

(Aal- Imraani: 84,85).

## Ni gute abislamu bemera Isa (nyakugira amahoro y'Imana)?

Mbega woba uzi ko abislamu bategerezwa kwemera Umuvugishwamana Isa, bakamukunda bakanamwubaha bakamwubahiriza, bakemera n'ubutumwa bwiwe bushingiye kw'irarikiramana ryo kwiyegereza Imana Allah no kuyisenga ari Imwe Rudende ata kuyibangikanya! Burya abislamu baremera bakanemanga ko Abavugishwamana Isa na Muhamadi (ba nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bompi ari Abavugishwamana, n'uko bompi barungitswe kugira barongore abantu mu nzira y'Imana igororotse ibashikana mu Bwami bw'ijuru.

Turemera tukanemanga ko Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), ari umwe mu Ntumwa zihambaye zarungitswe n'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, turanemera ko yavutse mu buryo bw'igitangaro, kanatsinda Imana Allah Yaratwiganiye muri Qor'ani ko Yaremye Isa atagira Se nka kurya Yaremye Adamu atagira Se na Nyina, burya Imana Allah ni Mushoboravyose.

Turemera tukemanga kandi ko Isa atari Imana, atari n'umwana w'Imana, n'uko atigeze abambwa ku musaraba, ahubwo ko ari muzima, Imana Allah Ikaba Yaramurerruye iwayo, kugira azogaruke mu bihe vy'iherezo aje guca izigororotse mu butungane buteye igomwe, akazoshika yifadikanya n'abislamu kuko ari bo bemeramana bemera Imana Imwe Rudende nka kurya nyene Isa n'abandi Bavugishwamana bemera.

Ni ukuri, Imana Allah Yaratwiganiye muri Qor'ani ntagatifu ko ubutumwa bwa Isa bwamaze guhindagurwa n'abanaswara, n'uko muri bo harimwo abataye inzira bagahuba, bakaba ari bo basubirije bakanahindagura bimwe mu biri mu Njili, baranongeyemwo ibintu Isa atigeze avuga, ivyo bikemezwa n'ukuba hariho igitigiri c'ibitabu vy'Injili bitandukanye, birimwo n'ibintu vyinshi bigenda bivuguruzanya.[11]

Imana Allah Yaratwiganiye ko Isa yahora asenga Imana yiwe Rurema Allah, akaba atigeze asaba umuntu n'umwe ngo amusenge, ahubwo mbere

yahora abwiriza abantu yarungitsweko ko biyegereza bakanasenga Imana Rurema, hanyuma shetani akaba ari we yahavuye yosha abanaswara gusenga Isa. Imana Allah Yaranatwiganiye muri Qor'ani ko Itazokwigera Ibabarira umuntu n'umwe ayibangikanya n'ikindi kintu, n'uko Isa ku musi w'izuka ry'ibiremwa azokwigarama abamusenze, akazobabwira ko yabategetse gusenga Imana Rurema, n'uko atigeze abasaba na rimwe ko bamusenga. Mu vyemezo vyemeza ivyo, ni Aayah, aho Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿يَٰٓأَهۡلَ ٱلۡكِتَٰبِ لَا تَغۡلُواْ فِي دِينِكُمۡ وَلَا تَقُولُواْ عَلَى ٱللَّهِ إِلَّا ٱلۡحَقَّۚ إِنَّمَا ٱلۡمَسِيحُ
عِيسَى ٱبۡنُ مَرۡيَمَ رَسُولُ ٱللَّهِ وَكَلِمَتُهُۥٓ أَلۡقَىٰهَآ إِلَىٰ مَرۡيَمَ وَرُوحٞ مِّنۡهُۖ فَـَٔامِنُواْ بِٱللَّهِ
وَرُسُلِهِۦۖ وَلَا تَقُولُواْ ثَلَٰثَةٌۚ ٱنتَهُواْ خَيۡرٗا لَّكُمۡۚ إِنَّمَا ٱللَّهُ إِلَٰهٞ وَٰحِدٞۖ سُبۡحَٰنَهُۥٓ أَن يَكُونَ لَهُۥ
وَلَدٞۘ لَّهُۥ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۗ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ وَكِيلٗا﴾

﴿Emwe bahawe Igitabu c'Injili! Ntimukarenze urugero rw'ukwemera mw'idini ryanyu, kandi ntimukavuge ku vyerekeye Imana Allah, kiretse ukuri mu kutayomekera umugore canke umwana. Ni ukuri, Masihi Isa mwene Mariyamu, ni Intumwa y'Imana Allah vy'ukuri, si imana, si n'umwana w'Imana, yamuremye kw'ijambo ryayo Yarungikanye umumalayika Jibrili kwa Mariyamu Iti: "Ba", maze bica biba ukwo, rikaba ari na ryo nkomoko y'ubuzima "Roho" yavuye ku Mana Allah, maze ku bushobozi bwayo, Jibrili ayihuhira muri Mariyamu, Isa aca aba ikiremwa gikwiye. Nimwemere rero ko Imana Allah ari Imwe Rudende

mwicishe bugufi kuri Yo, mwemere n’Intumwa zayo mu vyo zabashikirije muheze muvyubahirize, kandi ntimukabangikanye Imana Allah na Isa hamwe na nyina ngo muvyite ubutatu bweranda. Nimusige aho! Nimuteshwe mute kw’iyo mvugo, bizoba ari vyo vyiza cane gusumba kuri mwebwe. Ni ukuri, Allah ni Imana Imwe Rudende, ininahazwa ni iryayo, ntikitiririrwe umwana! Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n’ibiri mw’isi n’ibiri hagati yavyo, burya Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Muhagarikizi Atunganya ubuzima n’uburyo bwo kubeshaho ibiremwa﴾

(An-Nisaa-i: 171).

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

(وَإِذْ قَالَ اللَّهُ يَا عِيسَى ابْنَ مَرْيَمَ أَأَنتَ قُلْتَ لِلنَّاسِ اتَّخِذُونِي وَأُمِّيَ إِلَٰهَيْنِ مِن دُونِ اللَّهِ ۖ قَالَ سُبْحَانَكَ مَا يَكُونُ لِي أَنْ أَقُولَ مَا لَيْسَ لِي بِحَقٍّ ۚ إِن كُنتُ قُلْتُهُ فَقَدْ عَلِمْتَهُ ۚ تَعْلَمُ مَا فِي نَفْسِي وَلَا أَعْلَمُ مَا فِي نَفْسِكَ ۚ إِنَّكَ أَنتَ عَلَّامُ الْغُيُوبِ

﴿Nimwibuke kandi umusi w’izuka, igihe Imana Allah Yavuze Iti: “Ewe Isa mwene Mariyamu! Mbega ni wewe wabwiye abantu uti: “Nimungire jewe hamwe n’umuvyeyi wanje Mariyamu imana musenga mu gishingo c’Imana Allah!””. Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) azokwishura ati: “Ininahazwa ni iry’iwawe Mana! Sindekuriwe namba kubwira abantu ikitari ukuri. Ninaba naho narabivuze, ni ukuri warabimenye kuko ntakikwinyegeza, Urazi ibiri muri jewe mu

gihe jewe ntazi ibiri muri Wewe. Mu vy'ukuri Wewe, ni We Uzi neza ibinyegejwe ibiremwa﴾ (Al-Maa-ida: 116).

Uwushaka rero kurokoka ibihano mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ategerezwa kwinjira mu bwislamu agakurikira Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Mu bintu vy'ukuri Abavugishwamana n'Intumwa (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah) bahurijeko, ni uko ata wuzorokoka ibihano mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kiretse abislamu bemeye Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, batigeze bayibangikanya na kimwe mu bikorwa vyo kuyiyegereza, bakemera n'Abavugishwamana n'Intumwa zose. Ababayeho mu gihe c'Umuvugishwamana Musa bakanamwemera, bagakurikira n'inyigisho ziwe, abo ni abislamu bakaba n'abemeramana b'aberanda. Ariko rero, inyuma y'aho Imana Allah Irungikiye Isa, vyari ngombwa ko abakurikiye Musa, bemera Isa bakanamukurikira, abemeye Isa rero, abo ni abislamu bakaba n'abemeramana b'aberanda. Nayo uwuhakanye mu kutemera Isa, maze akavuga ngo nzoguma kw'idini rya Musa, uyo ntaba ari umwemeramana; kuko yaretse kwemera Umuvugishwamana yarungitswe n'Imana Allah. Mu nyuma y'aho rero Imana Allah Irungikiye uwahetuye Intumwa zose Muhamadi, ni ngombwa

ko abantu bose bamwemera, kuko Imana Rurema Yarungitse Musa na Isa, ni Yo nyene Yarungitse uwasozereye Intumwa zose Muhamadi; uwugararije ubutumwa bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) maze akavuga ngo nzoguma ndi mu bakurikiye Intumwa Musa canke Isa, uyo ntaba ari umwemeramana.

Ntibikwiye ko umuntu avuga gusa ko yubaha akubahiriza abislamu, ntibinakwiye kugira arokoke ibihano vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kuba yotanga imperezwa agafasha abakene, ahubwo ni ngombwa ko abanza kwemera Imana Allah, Ibitabu vyayo, Intumwa zayo hamwe rero n'ukwemera umusi w'iherezo kugira ngo Imana Allah Iheze Imwakirire ivyo vyose yakoze! Nta caha gihambaye cane coza gisumba ibangikanyamana n'igararizamana hamwe rero no kwiyamiriza ivyahishuwe n'Imana Allah, canke kwanka ubutumwa bw'uwahetuye Abavugishwamana bayo, Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Burya abayahudi n'abanaswara bumvise umuzo w'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bakanka kuyemera no kwinjira mw'idini ry'ubwislamu, bazokwinjizwa mu muriro wa Jahannamu bawubemwo ibihe bidahera bari mu bihano vyamaho; nk'uko Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yabivuze Iti:

{إِنَّ الَّذِينَ كَفَرُوا مِنْ أَهْلِ الْكِتَابِ وَالْمُشْرِكِينَ فِي نَارِ جَهَنَّمَ خَالِدِينَ فِيهَا ۚ أُولَـٰئِكَ هُمْ شَرُّ الْبَرِيَّةِ}

﴿Mu vy’ukuri, abagararije mu bahawe Igitabu n’ababangikanyamana, bazohanwa mu muriro wa Jahannamu, bazowubamwo ibihe bidahera. Abo rero, ni bo babi cane mu biremwa﴾

(Al-Bayyina: 6).

Mu gihe rero hamaze kuza ubutumwa bw'uwasozereye Intumwa Yarungitswe n'Imana Allah ku biremwa, ni ngombwa ku muntu wese yumvise umuzo w'ubwislamu n'irungikwa ry'Umuvugishwamana wa nyuma Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ko amwemera akanakurikira amabwirizwa yazanye, akanamwumvira mu vyo yategetse no mu vyo yabujije. Ni kuri iyo mvo rero, uwo ari we wese yumvise ubu butumwa bwahetuye ubundi maze agaheza akabwanka, Imana Allah Itazogenda Imwakiririye ikintu na kimwe, kandi Izoheza kandi Imuhane mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Mu vyemezo bivyemeza, ni Aayah aho Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿وَمَن يَبۡتَغِ غَيۡرَ ٱلۡإِسۡلَٰمِ دِينٗا فَلَن يُقۡبَلَ مِنۡهُ وَهُوَ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ﴾

﴿Uwurondera kwubahiriza idini ritari iry’ubwislamu ntazoryakiririrwa namba, kandi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa azoba mu bahomvye ubuzima bwabo bwose﴾

(Aali Imraani: 85).

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

(قُلْ يَا أَهْلَ الْكِتَابِ تَعَالَوْا إِلَىٰ كَلِمَةٍ سَوَاءٍ بَيْنَنَا وَبَيْنَكُمْ أَلَّا نَعْبُدَ إِلَّا اللَّهَ وَلَا نُشْرِكَ بِهِ شَيْئًا وَلَا يَتَّخِذَ بَعْضُنَا بَعْضًا أَرْبَابًا مِّن دُونِ اللَّهِ ۚ فَإِن تَوَلَّوْا فَقُولُوا اشْهَدُوا بِأَنَّا مُسْلِمُونَ)

﴿Ntumwa y'Imana! Bwira abahawe Igitabu mu bayahudi n'abanaswara, uti: "Enda nimuze dukurikire twebwe na mwe ijambo ritunganye ry'ukuri; ryuko tutokwiyegereza mu vyo dukora vyose tugasenga kiretse Imana Allah; tutonayibangikanya n'ikindi kintu na kimwe; tutonagira bamwe muri twebwe ibigirwamana mu gishingo c'Imana Allah". Nibaramuka bagenjeje umugongo bakirengagiza, muraheza mubabwire muti: "Nimwemange rero mutubere ivyabona ko twebwe turi abislamu twicisha bugufi ku Mana Allah mu kuyisenga ari Imwe Rudende"﴾ (Aali Imraani: 64).

## Kugira mbe umwislamu, ntegerezwa gukora iki?

Mu kwinjira mu bwislamu, ni ngombwa ko wemera izi nkingi zitandatu:

Ukwemera Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere; n'uko ari Yo Rurema, Rutunga Ibeshejeho ibiremwa vyose, Umubungabunzi na Rugaba wavyo, ntigira ikintu na kimwe gisa canke gisusa na Yo, ntigira umugore, eka ntigira

n'umwana; n'uko ari Yo Ikwiye kwiyegerezwa muri vyose Ikanasengwa Itabangikanywa.

Ukwemera abamalayika ko ari abaja b'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Yabaremye mu muco, Ibashinga bimwe mu bikorwa vyabo, ko ari bo bamanukanira ihishurwa Abavugishwamana bayo.

Ukwemera Ibitabu vyose Imana Allah Yamanuriye Abavugishwamana bayo (nka Tawurati n'Injili) vyasozerewe na Qor'ani ntagatifu.

Ukwemera Intumwa zose; nka Nuhu, Ibrahimu, Musa na Isa, hamwe rero n'iyahetuye zose, na yo ikaba ari Muhamadi. Izo Ntumwa zose zikaba zikomoka mu bantu, Imana Allah Yaziteye iteka Izishigikiza ihishurwabutumwa, Iziha na Aayah hamwe n'ibitangaro vyemeza ukuri kw'ubutumwa bwazo.

Ukwemera umusi w'iherezo, igihe Imana Allah Izozura aba mbere n'aba nyuma mu biremwa, Ikabacira urugororotse, maze Ikinjiza abemeramana mu Bwami bw'ijuru, Ikinjiza n'abagararizamana mu muriro.

Ukwemera ivyagezwe (n'ishirwa mu ngiro ryavyo); n'uko Imana Allah Izi ikintu ico ari co cose, caba ari icabaye muri kahise canke ikizoba muri kazoza; n'uko Imana Allah Yamaze kwandika vyose, Ikanashaka n'uko biba nk'uko biba, Ikanarema zina kintu cose caremwe.

## Ubwislamu ni inzira y'umunezero

Ubwislamu, ni idini ry'Abavugishwamana bose, si idini ryagenewe gusa Abarabu.

Ubwislamu, ni yo nzira y'ukuroranirwa nya kuroranirwa mu buzima bwo kw'isi, no kuronswa inema zamaho mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

Ubwislamu, ni ryo dini ryonyene rishoboye kuronsa umuntu ivyankenerwa vy'umushaha n'ivy'umubiri, hamwe rero n'uburyo bw'ikemura ry'ingorane zishikira kiremwa-muntu.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

{قَالَ اهْبِطَا مِنْهَا جَمِيعًا بَعْضُكُمْ لِبَعْضٍ عَدُوٌّ فَإِمَّا يَأْتِيَنَّكُمْ مِنِّي هُدًى فَمَنِ اتَّبَعَ هُدَايَ فَلا يَضِلُّ وَلا يَشْقَى وَمَنْ أَعْرَضَ عَنْ ذِكْرِي فَإِنَّ لَهُ مَعِيشَةً ضَنْكًا وَنَحْشُرُهُ يَوْمَ الْقِيَامَةِ أَعْمَى

﴿Imana Allah Yabwiye Adamu na Hawa Iti: "Nimuve mu Bwami bw'ijuru mumanuke kw'isi mwese muri kumwe na Ibilisi, mwebwe na we mwamaze gucika abansi hagati yanyu; nimwashikirwa n'uburongozi buvuye iwanje, uwuzokurikira uburongozi bwanje muri mwebwe, ntazokwigera ahuba kw'isi, eka ntazonagorwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

Nayo uwuzogenza umugongo mu kwirengagiza uburongozi bwanje, mu vy'ukuri azobaho ubuzima bw'ivyago n'amaganya kw'isi , Duheze Tumuzure ku musi w'izuka ari impumyi kuko yirengagije kubona ukuri kw'ivyemezo vyacu akiri kw'isi"﴾

(Twaa Haa: 123,124).

## Ukwinjira mu bwislamu, bimariye iki?

Ukwinjira mu bwislamu birafise inyungu n'akamaro kanini, aha twovuga:

- Kuronka intsinzi n'iteka mu buzima bwo kw'isi mu kuba umuntu ari umuja w'Imana Allah; bitagenze ukwo araheza akaba umuja w'ivyipfuzo vyiwe n'uwa shetani hamwe n'ibihendamaso vy'isi.

- Intsinzi ihambaye mu buzima bw'inyuma yo gupfa, mu gukira ibihano vy'umuriro maze umuntu akinjizwa mu Bwami bw'ijuru akabayo ibihe bidahera, yishimiwe n'Imana Allah.

- Abazokwinjizwa n'Imana Allah mu Bwami bw'ijuru, bazobubamwo bari mu nema zamaho, muri bwo nta gupfa, nta kurwara, nta kugira umubabaro canke agahinda, nta n'ugusaza, muri bwo bazohabwa ivyo bipfuza vyose.

Mu Bwami bw'ijuru, hariyo ibiryoshe ijisho ritarigera ribona, hariyo n'ivyiza vy'akaroruhore ugutwi kutarigera kwumva, hariyo n'ibihimbaye umuntu nk'umuntu, agatima katarigera gakubita ngo kavyiyumvire.

Mu vyemezo vyemeza ivyo, ni Aayah, aho Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿مَنۡ عَمِلَ صَٰلِحٗا مِّن ذَكَرٍ أَوۡ أُنثَىٰ وَهُوَ مُؤۡمِنٞ فَلَنُحۡيِيَنَّهُۥ حَيَوٰةٗ طَيِّبَةٗۖ وَلَنَجۡزِيَنَّهُمۡ أَجۡرَهُم بِأَحۡسَنِ مَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ﴾

﴿Uwukoze iciza rero, yaba umuhungu canke umukobwa, akaba yemera n'Imana Allah hamwe

n'Intumwa yayo, ni ukuri Tuzomuha ubuzima bwiza bw'iteka n'itekane kw'isi n'aho yobaho akenye; kandi ni ukuri mu buzima bw'inyuma yo gupfa, azoba ari mu bo Tuzohemba indishi yabo nziza ibereye ku vyo bari barakoze﴿ (An-Nahl: 97).

## Mu gihe nokwanka kwinjira mu bwislamu, nohomba iki?

Umuntu yanse kwinjira mu bwislamu, aba ahomvye umushinge uhambaye w'ubumenyi n'ubwenge, na wo ukaba ari ukumenya Imana Allah, araheza kandi agahomba kwemera Imana Allah, Yo Iha umuntu iteka n'itekane mu buzima bwo kw'isi hamwe n'inema zamaho zo mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

Umuntu aranahomba ubumenyi buhambaye bwo gutahura Igitabu gihambaye Imana Allah Yamanuriye abantu, agatako agahomba no kutacemera.

Aranahomba kwemera Abavugishwamana b'imboneza, arahomba kandi kuzoba ari kumwe na bo ku musi w'izuka mu Bwami bw'ijuru, akazoba ari kumwe n'amashetani hamwe n'abanyavyaha, hamwe rero n'ibigirwamana vy'ubwoko bwose, aho bazohurira mu muriro wa Jahannamu, bukaba ari bwo buraro bubi bw'abaranzwe n'ubucuti bubi!

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

قُلْ إِنَّ الْخَاسِرِينَ الَّذِينَ خَسِرُوا أَنْفُسَهُمْ وَأَهْلِيهِمْ يَوْمَ الْقِيَامَةِ أَلا ذَلِكَ هُوَ الْخُسْرَانُ الْمُبِينُ (15) لَهُمْ مِنْ فَوْقِهِمْ ظُلَلٌ مِنَ النَّارِ وَمِنْ تَحْتِهِمْ ظُلَلٌ ذَلِكَ يُخَوِّفُ اللَّهُ بِهِ عِبَادَهُ يَا عِبَادِ فَاتَّقُونِ } .

﴿Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Mu vy'ukuri abari mu ruhombo nya ruhombo, ni barya bihombeye bagahomba n'imiryango yabo ku musi w'izuka". Bantu, nimwumve mwumvireho! Urwo rero, ni rwo ruhombo rugaragara.

Abo bahomvye ku musi w'izuka, bagenewe ibihano bikaze vy'umuriro uzoba ubakikuje hejuru no musi, nk'amagorofa amahanga. Ivyo bihano rero, Imana Allah Ivyiganira abaja bayo, kugira bikebuke maze bavyiyubare. Emwe baja banje! Nimungamburukire rero mu kwubahiriza amabwirizwa yanje﴾

(Az-Zumar: 15, 16).

## Ntugatevye gufata ingingo!

Isi ntabwo ari bwo buraro n'uburamuko bwamaho...

Ubwiza bw'ikintu cose kiri kw'isi, buzoherengetera, n'ibiryohera umutima vyose bizozimangana bigende akagirire...

hazoteba rero haze umusi uzoharurirwa ivyo wakoze vyose, na wo ukaba ari umusi w'izuka ry'ibiremwa. Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

{وَوُضِعَ الْكِتَابُ فَتَرَى الْمُجْرِمِينَ مُشْفِقِينَ مِمَّا فِيهِ وَيَقُولُونَ يَا وَيْلَتَنَا مَالِ هَذَا الْكِتَابِ لاَ يُغَادِرُ صَغِيرَةً وَلاَ كَبِيرَةً إِلاَّ أَحْصَاهَا وَوَجَدُوا مَا عَمِلُوا حَاضِرًا وَلاَ يَظْلِمُ رَبُّكَ أَحَدًا}

﴿Igitabu c'ibikorwa vy'umwumwe wese rero, azogihabwa mu kuboko kwiwe kw'iburyo canke kw'ibubamfu, aho uzobona abanyavyaha batekewe n'ubwoba ku biri muri nya gitabu, bamaze kubona ivyaha birimwo, bazoca bihebura bati: "Amagorwa arama yemwe! Iki ni igitabu nyabaki kitigeze kireka ikintu na kimwe mu vyo nakoze caba gito canke kinini, kiretse ko canditswe!". Ivyo bakoze vyose kw'isi rero, bazobisanga ng'aho vyaranditswe. Kandi Imana yawe Rurema Allah, ntirenganya umuntu n'umwe mu kurengerezwa urugero rw'ibihano canke kugabanywa ku ndishi, n'aho yoba yakoze akantu kangana n'inzatsa, Izokamuhembera﴾ (Al-Kahf: 49).

Imana Allah Nyenintsinzi na Nyenicubahiro, Yaranatwiganiye ko umuntu aticishije bugufi ngo abe umwislamu, atazobura kugira iherezo ry'ubuzima budahera mu muriro wa Jahannamu, mu bihano vyamaho.

Uruhombo rero si ikintu gito, ahubwo ni ikintu gikomeye:

{وَمَن يَبْتَغِ غَيْرَ الْإِسْلَامِ دِينًا فَلَن يُقْبَلَ مِنْهُ وَهُوَ فِي الْآخِرَةِ مِنَ الْخَاسِرِينَ }

﴿Uwurondera kwubahiriza idini ritari iry'ubwislamu ntazoryakiririrwa namba, kandi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa azoba mu

bahomvye ubuzima bwabo bwose﴾ (Aali Imraani: 85).

Ubwislamu rero, ni ryo dini gusa ryemewe, nta n'irindi dini Imana Allah Yemera atari ryo.

Imana Allah ni Yo Yaturemye, ni no kuri Yo tuzosubira nitwamara gupfa, kuri iyi si na ho turi mw'igeragezwa.

Niwizere neza na neza ko ubu buzima bwo kw'isi ari bugufi cane nka kurya kw'indoto... kira noneho nta n'umwe azi ahantu n'umusi azopfiirako!

Mbega none Imana yawe Yakuremye uzoyishura iki igihe Yakubajije ku musi w'izuka ry'ibiremwa, ku catumye udakurikira Intumwa yahetuye Abavugishwamana bose?

Uzokwishura iki Imana yawe Rurema ku musi w'izuka ry'ibiremwa, kandi Yaramaze kukugabisha ku nkurikizi mbi zo kugarariza ubwislamu, Ikanakubwira ko iherezo ry'abagararizamana ari uguhonera mu muriro, mu bihano vyamaho!

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿وَالَّذِينَ كَفَرُوا وَكَذَّبُوا بِآيَاتِنَا أُولَئِكَ أَصْحَابُ النَّارِ هُمْ فِيهَا خَالِدُونَ﴾ [2: 39].

﴾Nayo abazogarariza Imana Allah bagahakana bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu vyerekana ko hakwiye gusengwa Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa, abo ni bo bantu bo mu muriro. Bazowubamwo ibihe bidahera﴿

(Al-Baqara: 39).

## Nta citwazo rero ku wuretse gukurikira ukuri, agashishikara yigana ba Se na ba Sekuru.

Imana Allah Nyenintsinzi na Nyenicubahiro , Yaratwiganiye ko abenshi mu bantu banka kwinjira mu bwislamu ku gutinya inkurikizi z'aho basanzwe baba mu kibano.

Abenshi rero,  banka kwinjira mu bwislamu ku kudashaka guhindura ivyo bemera barazwe na ba Se baraheza babimenyera ukwo. Hari na benshi muri bo , bareka kwinjira mu bwislamu ku kwihambaza no gukingira mu guhabuza ikinyoma barazwe.

Abo bose rero, nta citwazo bafise, bazohagarikwa imbere y'Imana Allah ata cireguzo bafise berekana.

Nta cireguzo ku muhakanyi mu kuvuga ati: nzoguma mu buhakanyi bwanje kuko navukiye mu muryango w'abahakanyi! Ahubwo ategerezwa gukoresha ubwenge yahawe n'Imana Allah, maze akitegereza ubuhambazi bw'amajuru n'isi, agakoresha n'ubwenge yahawe na Rurema Yamuremye mu kwiyumvira kugira atahure ko iyi si n'ibirimwo bifise Iyabiremye. Ni nk'uko nyene kuri urya muntu asenga ibigirwamana bigizwe n'amabuye canke ibishusho, nta cireguzo yokwitwaza mu kwigana ba Se, ahubwo ategerezwa kurondera ukuri akibaza ati: ni gute nsenga

ibigirwamana bitanyumva bitanambona, eka bitagira n'ico bimariye!

Ni uko nyene no ku munaswara yemera ibihushanye n'ukwemera ndemanwa "fitwra", kandi ubwenge bumusaba ko yibaza ati: ni gute Imana Rurema Yokwica umwana wayo kandi ata n'icaha Imuhora ku mvo zo gucungura abandi bantu mu vyaha vyabo! Aka koba ari akarenganyo kagaragara. Bishoboka gute ko abantu bokwica bakabamba umwana w'Imana Allah!? Mbega none Iyo Mana Rurema ntishoboye kubabarira ivyaha vy'ibiremwa, Itabanje kureka abantu ngo bice umwana wayo!? None Iyo Mana Rurema, ntishoboye gukingira umwana wayo ngo ntiyicwe!?

Ni ngombwa rero ku muntu w'umunyabwenge, gukurikira ukuri, ntaheze ngo yigane ba Se na ba Sekuru mu kinyoma ceruye.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿وَإِذَا قِيلَ لَهُمۡ تَعَالَوۡاْ إِلَىٰ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ وَإِلَى ٱلرَّسُولِ قَالُواْ حَسۡبُنَا مَا وَجَدۡنَا عَلَيۡهِ ءَابَآءَنَآۚ أَوَلَوۡ كَانَ ءَابَآؤُهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ شَيۡـًٔا وَلَا يَهۡتَدُونَ﴾

﴿Abaziririza ibitaziririjwe n'Imana Allah, iyo babwiwe bati: "Enda nyabuna nimuze ku vyamanuwe n'Imana Allah no ku nyigisho z'Intumwa yayo kugira mumenye ikizira n'ikirekuwe"; bishura bati: "Ivyo twarazwe n'abavyeyi bacu birahagije". Mbega bavuga ivyo, n'aho abavyeyi babo boba ata na kimwe batahura,

batanashobora no gutumbera inzira igororotse!﴾ (Al-Maa-ida: 104).

## Uwushatse kwinjira mu bwislamu agatinya ibangamirwa ry'umuryango, asabwa gukora iki?

Uwushatse kwinjira mu bwislamu, agatinya igeramirwa ry'abo bari kumwe mu kibano, arashobora kwinjira mu bwislamu, maze agahisha ubwislamu bwiwe gushika igihe Imana Allah Yamworohereje inzira y'ukwigenga, akazoheza rero akagaragaza ubwislamu bwiwe.

Ni ngombwa rero ko wemera ubwislamu bukwi na bukwi (ubwo nyene) la ata gutakaza umwanya, ariko si ngombwa ko ubanza kumenyesha abari hambavu yawe ko winjiye mu bwislamu, canke ko uca ubugaragaza mu gihe ukumenyekana ko wabaye umwislamu vyohava bikugirira ingaruka mbi.

Ukwiye no kumenya neza na neza ko igihe ubaye umwislamu, uzoba ubaye umuvukanyi w'abandi bislamu benshi barenga imiriyoni n'izindi, urashobora rero kwegera umusigiti canke ikigo c'ikislamu kiri hafi yawe mu gihugu ubamwo, ugasaba impanuro canke imfashanyo y'ukungene wobigenza, ivyo bizoheza bibanezere cane.

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

{وَمَنْ يَتَّقِ اللَّهَ يَجْعَلْ لَهُ مَخْرَجًا وَيَرْزُقْهُ مِنْ حَيْثُ لَا يَحْتَسِب}

﴾Uwo wese atinya ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, Imana Allah Izomworohereza ibimukura mu ngorane; Izonamuha ibimubeshaho mu buryo atazigaۚ﴿

(At-Twalaaq: 2, 3).

## Musomyi uhimbaye!

Burya none ugushimisha Imana yawe Rurema Allah, Yo Yaguhaye inema zitandukanye z'ubwoko bwose, Ikaba ari Yo Yagufungurira ukiri uruyoya mu mbanyi y'umuvyeyi wawe, Ikanakuronsa akayaga uhema ugahemuka ubu, si vyo bihambaye cane gusumba ugushimisha abantu!?

Mbega none intsinzi yo kw'isi n'iyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, si yo umuntu akwiye kwihebera cane hakwihebera ibiryohera amaso vyo mu buzima bwo kw'isi buhera? Ego cane ndarahiye kw'izina ry'Imana Allah ko bikwiye kuba ukwo !

Ntukareke kahise kawe ngo kakubuze gukosora ingendo y'ukwihenda, enda nyabuna kora ikintu kizima.

Ba umwemeramana w'ukuri kuri uno musi! Ntiwemerere namba shetani ngo ikubuze gukurikira ukuri!

Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

{يَا أَيُّهَا النَّاسُ قَدْ جَاءَكُمْ بُرْهَانٌ مِنْ رَبِّكُمْ وَأَنزلْنَا إِلَيْكُمْ نُورًا مُبِينًا (174) فَأَمَّا الَّذِينَ آمَنُوا بِاللَّهِ وَاعْتَصَمُوا بِهِ فَسَيُدْخِلُهُمْ فِي رَحْمَةٍ مِنْهُ وَفَضْلٍ وَيَهْدِيهِمْ إِلَيْهِ صِرَاطًا مُسْتَقِيمًا (175) }

﴿Emwe bantu! Ni ukuri, icemezo co kurungikwa kw'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, caramaze kubashikira; Twaranabamanuriye n'Igitabu ca Qor'ani kugira kibabere umuco ubagaragariza uburongozi nyabwo.

Abemeye rero Imana Imwe Rudende Allah bakanagumya n'umuco bamanuriwe muri Qor'ani, Imana Allah Izobinjiza mu Bwami bw'ijuru ku mpuhwe n'impano zayo, Iteko Ibashoboze gukurikira inzira igororotse ibashikana ku gushimwa na Yo﴾

(An-Nisaa-i: 174, 175).

## Mbega none wewe woba witeguriye gufata ingingo ihambaye mu buzima bwawe?

Ivyo vyose twadondaguye, nivyaba ari ibintu vyumvikana kuri wewe, ukaba wamaze no kwemanga ukuri mu mushaha wawe, enda rero nyabuna tera intambwe ya mbere kugira ube umwislamu. Mbega woba ushaka ko hari ico nogufasha kugira ufate ingingo nziza kandi ibereye mu buzima bwawe, ngo mpeze ndakwereke ukungene ushobora kuba umwislamu?

Ivyaha vyawe ntibikuzingamike ngo bikubuze kwinjira mu bwislamu, ni ukuri Imana Allah Yaramaze kutwiganira muri Qor'ani ntagatifu ko Ibabarira ivyaha vyose vy'umuntu igihe yinjiye mu bwislamu, maze akigaya ku Mana yiwe Rurema Allah, no mu nyuma y'aho ubereye umwislamu, birashoboka ko ugwa mu vyaha bimwebimwe; kuko twese burya turi abantu, eka ntituri abamalayika bakingiwe gukora ivyaha, ariko igikenewe gusa kuri twebwe, ni ukwama twasavye imbabazi ku Mana Allah, tukanigaya kuri Yo ibicumuro vyacu. Iyo rero Imana Allah Ikubonyemwo ihurumbira ry'ukwemera ukuri, ugaheza ukinjira mu bwislamu mu kwatura iyemanga ry'ibintu bibiri "SHAHAADATAANI", muri ico gihe Iraheza Ikagufasha kureka no kuvavanura n'ibindi vyaha, burya uwutumbereye Imana Allah, akanakurikira ukuri, Imana Allah Ica Imushoboza gushishikara akora ivyiza. Ntugire impungenge rero mu kwinjira mu bwislamu muri kano kanya.

Mu vyemezo vyemeza ivyo, ni Aayah, ni aho Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿قُل لِّلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ إِن يَنتَهُواْ يُغۡفَرۡ لَهُم مَّا قَدۡ سَلَفَ﴾

﴿Ntumwa y'Imana! Bwira abagarariji ko nibaramuka baretse kugarariza bakanareka kurwanya Umuvugishwamana Muhamadi

(nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), hanyuma bakemera Imana Imwe Rudende Allah, nta nkeka ko Imana Allah Izobagumiriza akabanga Ikababababarira ivyaha vyabo bakoze imbere yuko bemera﴾ (Al-Anfaal: 38).

## Kugira mbe umwislamu, nokora iki?

Ukwinjira mu bwislamu ni ikintu coroshe, eka nta n'imigirwa canke indinganizo nyezina ikenewe, eka nta n'umuntu kw'izina asabwa kuba ahari, igisabwa gusa, ni umuntu kwatura iyemanga ry'ibintu bibiri, azi neza insiguro yaryo, yemera n'ivyo risaba, maze akavuga ati: "ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN RASUULU LLAAHI", (ndemeye ku mutima wanje ndavyatuye n'ururimi rwanje, nemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, kandi ndemeye ku mutima wanje ndavyatuye n'ururimi rwanje, nemanga ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana). Iyo bikworoheye kubivuga mu rurimi rw'icarabu biba ari vyiza cane, bitakworoheye naho, biba bikwiye n'aho wobivuga mu rurimi rwawe kavukire, aho rero uba umaze kuba umwislamu. Ikiba gisigaye kuri wewe, ni uko wiga ivyerekeye idini ryawe rizoheza rikakubera isoko ry'ukuroranirwa kwawe kw'isi, rikazonakubera imvo y'ukurokoka ibihano mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

Ushatse kumenya vyinshi ku bwislamu, noguhanura kuja ku rubuga ngurukanabumenyi:

Ushatse kwiga ukungene wogendera ubwislamu, twoguhanura kuja ku rubuga ngurukanabumenyi:

# Index


NI NDE YANDEMYE? NI NO KUKI YANDEMYE? .......... 2
IKINTU COSE KIREREKANA KO HARIHO UWAKIREMYE .......... 2
Imana Allah Nyenukuninahazwa na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere .......... 4
Amatazirano y'Imana Rurema Nyenukuninahazwa na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere .......... 6
Imana Rurema Isengwa, Itegerezwa kuba Ifise amatazirano aranga ubutore n'ubutwari bwayo .......... 7
Ubwo biratahuritse ko Imana Allah Yotureka ukwo gusa ata hishurwa ry'amabwirizwa twokwisunga kuri iyi si? .......... 9
Qor'ani ntagatifu .......... 12
Ni kuki harungitswe Intumwa nyinshi zitandukanye? .......... 13
Umuntu ntashobora kuba umwemeramana igihe ataremera Intumwa zose .......... 15
Ubwislamu ni igiki? .......... 16
Ni gute abislamu bemera Isa (nyakugira amahoro y'Imana)? .......... 18
Kugira mbe umwislamu, ntegerezwa gukora iki? .......... 25
Ubwislamu ni inzira y’umunezero .......... 27
Ukwinjira mu bwislamu, bimariye iki? .......... 28
Mu gihe nokwanka kwinjira mu bwislamu, nohomba iki? .......... 29
Ntugatevye gufata ingingo! .......... 30
Nta citwazo rero ku wuretse gukurikira ukuri, agashishikara yigana ba Se na ba Sekuru. .......... 33
Uwushatse kwinjira mu bwislamu agatinya ibangamirwa ry'umuryango, asabwa gukora iki? .......... 35
Musomyi uhimbaye! .......... 36
Mbega none wewe woba witeguriye gufata ingingo ihambaye mu buzima bwawe? .......... 37

Kugira mbe umwislamu, nokora iki? .............................................. 39

rn361v1.0 - 04/09/2026